Australian Government
Department of Home Affairs

COVID-19 Inkuru ku bafise visa z'igihe gito muri Australia

Ziriho kuva italiki 4 Ndamukiza 2020

Reta ya Australia yaratangaje impinduka ku vyo bazogirira abafise visa y'imfatakibanza. Izo mpinduka zitumbereye gukingira amagara y'ikibano cacu, gukingira akazi ku bene gihugfu ba Australia, gushigikira inganda ziri mu bihe bigoye, kandi no gufasha kunagura izo nganda inyuma y'umugera.

Abafise visa muri Australia bategerezwa gukurikiza impanuro zerekeranye n'amagara y'abantu ku bijanye na COVID-19.

Abasaba akaruhuko k'ibikorwa

Impinduka ku karuhuko k'abafise visa bishigikira ibisata vy'amagara, abageze mu za bukuru hamwe n'ukwitwararika abagendana ubumuga, ivyerekeranye uburimyi hamwe n'uguhingura ibipfungurwa, hamwe n'abarezi b'abana:

- Nimba uri umukozi afise akaruhuko yariko arakora muri Australia kandi ukaba ukora muri ivyo bisata biri mu ngorane, uzokurwako amaezi atandatu bari bagushiriyeho utashobora kurenza ku mukoresha umwe kandi uzoshobora kwemererwa kuronka iyindi visa kugira ngo ushobore kubandanya gukora muri ivyo bisata nimba visa yawe y'ubu izohera mu mezi atandatu ari imbere.

Nimba uriko urakora ukorera kuri visa y'akaruhuko kandi ukaba udashobora kwibeshaho, nimba ukeneye ko hari ico wofashwa kugira ngo usubire i muhira.

Abakozi bakora mu bihe bimwe bimwe

Urutonde rw'abakozi bakora mu bihe bimwe bimwe hamwe n'ukugene ibikorwa bitunganijwe ku bakozi muri pacific bazoshobora kwongereza ikiringo cabo co kuba ino muri Australia kugira ngo bashigikire igisata c'uburimyi.

Nimba uri muri Australia ukaba ufise uruhara mu rutonde rw'abakozi bakora mu bihe bimwe bimwe urashobora gusaba igikorwa c'imfatakibanza (umurwi wa 408) visa muri reta ya Australia ushizeko ico kinytu gitumye ugumaho (AGEE). Abajejwe Igisata c'abakozi muri Pacific barashobora kugusabira akazi gashasha k'imfatakibanza (imigenderanire y'amakungu) (umurwi wa 403) visa y'abakozi bakorera muri Pacific.

Ingenzi zifise visa

Nimba uri muri Australia, ukaba ufise visa y'ingenzi kandi ukaba udashobora kwibeshaho, utegerezwa gusubira I wanyu I muhira nimba bishoboka ko ukora gurtyo.

Abanyeshuri baturuka mu bindi bihugu

Abanyeshuri baturuka mu bindi bihugu bahimirizwa gusaba imfashanyo ku miryango yabo, akazi k'igihe gito aho gashobora kuboneka hamwe n'amahera biziganirije kugira ngo bibesheho muri Australia. Mu bihe bimwe bimwe abanyeshuri bazoshobora kuronka amahera barengerezwako ku mwaka muri Australia.

Reta izogerageza kworosha ku vyerekeranye na visa y'anbanyeshuri igafatira kuri Coronavirus yatumye ivyo bari baremeye bidakunda.

Abafise visa mfatakibanza kubera ubuhanga bwabo

Nimba ufise visa y'imfatakibanza kubera ubuhanga bwawe kandi ukaba wari warahagaritswe kuri ako kazi, ariko utakuwe burundu, uzogumana visa yawe n'ibikorwa wahora ukora bizokwongerwa

ikiringo biciye mu buryo busanzwe. Reta vyongeye izokwenmerera kuronka amahera ashika kuri $10,000 y'amahera reta yahora ikwongererako ku mwaka kugira ngo ushobore kwibeshaho no kwishigikira.

Ibikorwa vyongeye bizoshobora kugabanura amasaha yawe urarimwo, canke umukoresha wawe yaciye ku mategeko ya visa canke ibisabwa.

Nimba warakuwe mu kazi canke udafise akazi uzotegerezwa kurondera uwundi mukoresha mu misi 60 canke ugerageze ubundi buryo kugira ngo uve muri Australia, aho ivyo bishoboka.

Ku zindi nkuru zirenze ngaho ku vyerekeranye n'utwo duhengekerezo tw'imfatakibanza uashobora kuzisanga ku rubuga rw'gisata aha hakurikira: https://covid19.homeaffairs.gov.au/